Mbega burya Uwamushoboje kugendesha amaguru kw'isi, ntashoboye kuzomugendesha mu maso hiwe ku musi w'izuka!?

Mu vyakiriwe na Qataada (nyakugira impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati: "Anasi mwene Maliki (Imana Allah Imwishimire) yaratwiganiye ko hari umugabo yigeze kuvuga ati: "Ewe Muvugishwamana! Izurwa ry'umugararizamana agendesha mu maso hiwe, rizogenda gute?", aca aramwishura ati: "Mbega burya Uwamushoboje kugendesha amaguru kw'isi, ntashoboye kuzomugendesha mu maso hiwe ku musi w'izuka!?". Qataada yaciye avuga ati: "Ego cane, Yobuzwa n'iki kubishobora! Kandi ndavyemanze ndahira ku cubahiro c'Imana yacu Rurema Allah ko bizoshoboka"".

[صحيح] [متفق عليه]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yarabajijwe ukungene bishoboka ko umugararizamana azozurwa ku musi w'izuka agendesha mu maso hiwe!? Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) aca yishura avuga ati: Mbega none burya Uwamushoboje kugendesha amaguru kw'isi, ntashoboye kuzomugendesha mu maso hiwe ku musi w'izuka!? Imana Allah rero, ni Mushoboravyose.

http://sunnah.global/hadeeth/rn/show/65068